www.assemblee.bi
www.flickr.com/inamanshingamateka

Facebook: Inama nshingamateka
twetter:@nshingamateka

N° 10 - 2017

# INAMA NSHINGAMATEKA Y'UBURUNDI

INAMA NSHINGAMATEKA

Gisohoka rimwe mu kwezi

REPUBULIKA Y'UBURUNDI



# INAMA NSHINGAMATEKA YARATUMIWE MU BIGANIRO BIHUZA ABARUNDI



Umukuru w'Inama Nshingamateka ariko aha umubonano intumwa Idasanzwe y'igihugu c'Ububirigi mu Karere k'ibiyaga binini.

Soma kurupapuro rwa 11



Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yararanguriye ibikorwa rusangi mu ntara ya Bubanza

Soma kurupapuro rwa 14



Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Igihugu yarashikirije Abashingamateka n 'Abakenguzamateka ivyaranguwe mu gice ca kabiri c 'umwaka w '2016

Soma kurupapuro rwa 15

Palais des Congrès de Kigobe
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07

# Abashingamateka b' ikiringo ca 2015 -2020



**Hon. Agathon Rwasa**
**Icegera ca mbere c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ngozi- Hutu-MizeroY'Abarundi**



**Très Hon. Pascal Nyabenda**
**Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Bubanza-Hutu-CNDD-FDD**



**Hon. Jocky Chantal Nkurunziza**
**Icegera ca kabiri c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ruyigi-Tutsi-CNDD-FDD**



Hon. Gloriose AHISHAKIYE
Ngozi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Asha KHALFAN
Kayanza -Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon .Fabien BANCIRYANINO
Bubanza - Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Adolphe BANYIKWA
Bujumbura - Hutu- Mizero y'Abarundi



Hon. Chantal BARAMPAMA
Bujumbura - Tutsi CNDD-FDD



Hon. Josélyne BARANYANKA
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jacqueline BARANYIZIGIYE
Cankuzo - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Evole P. BASHINGWA
Mairie - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Domitien BAVAKURE
Karusi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Rémegie BAZIRAHOMPONYOYE
Muramvya - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Ildephonse BIGIRINDAVYI
Muramvya - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jérôme BIKORIMANA
Bururi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Simon BIZIMUNGU
Cibitoke - Hutu Mizero y'Abarundi



Hon. Pascal BIZUMUREMYI
Ruyigi - Hutu-Mizero y'Abarundi



Hon. Renate BUKURU
Ruyigi- Hutu-CNDD-FDD


Hon. Adolphe NTAHONDEREYE
Mairie - Twa



Hon. Aloys NTAKIRUTIMANA
Cibitoke-Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Obed NTAKIYIRUTA
Rumonge - Hutu-Mizero
Y'Abarundi


Hon. Emmanuel NTEZUKOBAGIRA
Bururi - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Ruth NTIBASHAKWA
Cibitoke - Hutu-NDD-FDD


Hon. Gregoire NTIMPIRANGEZA
Gitega - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Gaudence NTIRANDEKURA
Mwaro - Tutsi-Mizero
Y'Abarundi


Hon. Gabriel NTISEZERANA
Bubanza-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Adrien NYANDWI
Kayanza - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Claire NYANDWI
Makamba - Tutsi-Mizero
Y'Abarundi


Hon. Nestor NZEYIMANA
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Séraphine NZEYIMANA
Rumonge - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Révérien NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD


Hon. J. Baptiste NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Consolate NZIGAMISONI
Cibitoke - Tutsi-Mizero
Y'Abarundi


Hon. Benigne RURAHINDA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD


Hon. James SAMAGORWA
Cibitoke-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Eric SINDAYIGAYA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Sylvestre SINDAYIHEBURA
Gitega - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. J. Pierre SINZINKAYO
Bujumbura-Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Vincent SUKUNOBA
Gitega - Twa


Hon. Anicet TUYAGA
Mwaro - hutu-CNDD-FDD


Hon. Ibrahim UWIZEYE
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Léocadie YAMUREMYE
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD

# Inama Nshingamateka yaratumiwe mu biganiro bihuza Abarundi



Kw'igenekerezo rya 09 Ntwarante 2017, Umurwi w'Igihugu ujejwe ibiganiro bihuza Abarundi waratunganije ikiganiro ku Bashingamateka n'Abakenguzamateka. Nyakwubahwa Musenyeri Justin NZOYISABA arongoye uwo murwi yamenyesheje ko mugihe ibiganiro bihuza Abarundi bigeze mugice ca nyuma, imice itandukanye y'abarundi yarumvirijwe, kakaba kari akaryo ko kwumviriza abaserukira abenegihugu.Abo nabo baciye bafata ako kanya baratanga interengano zabo kugira ngo haboneke umuti urama mu Burundi hame amahoro na demokarasi.

Kubw'Umukuru w'Inama Nshingamateka, Nyakubahwa Pascal NYABENDA, hagati y'Ibwirizwa Shingiro n'Amasezerano y' i Arusha, hakwiye kumenyekana ikiruta ikindi. Kubwiwe ibwirizwa Shingiro niryo riruta Amasezerano y'i Arusha, kuko niryo tegeko rikuru, ni naryo abenegihugu batoye. Yabandanije avuga ko Ibwirizwa shingiro ririho rikwiye gusubirwamwo kugira ngo ryisunge ibihe tugezemwo. Nayo kuvyerekeye ibiringo vy'Umukuru w'igihugu, Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yemeje ko bitari bikwiye gutera ingorane, abarundi ngo bakwiye kubiganirako, ati ariko Umukuru w'igihugu runaka ni yaba ashimwa, abenegihugu bakaguma bamwizigiye, icipfuzo cabo ntigikwiye kunigirwa mumenshi.

Agarutse ku ngeso yo gutembagaza ubutegetsi yagiye iribonekeza mu Burundi uko imyaka iheze, Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yasavye ko hoba inyigisho kuva hasi kugira ngo iyo ngeso ituzwe burundu, abantu bose bamenyere ko abenegihugu aribo babwirizwa kwitorera ababarongora; nayo kubogerageza gutembagaza



ubutegetsi, yavuze ko bakwiye guhanwa bishimitse.

Kubw'Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Agathon RWASA, ubutegetsi bwose bwabwirizwa gutwarira bose butavanguye, ni naho abenegihugu bokwizigira ababarongoye. Yabandanije yerekana ko hariho imigambwe myinshi, ati ariko iyitari mike iriho ku mazina gusa. Yarongeye kandi asaba ko ubutungane bwokora bwigenga mbere bugatunganiriza bose.

Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA, yasavye ko ingendo mu makambi y'impunzi zotunganywa bagahimirizwa kugaruka mugihugu. Kubwiwe kandi, ngo abakenyezi bakwiye guserukirwa bikwiye mu nzego z'umutekano, igisirikare, igipolisi, mu makomite y'umutekano ahurikiyemwo bose, mu mirwi ijejwe kwaka ibirwanisho ababitunze batabifitiye uruhusha n'ibindi.

Abandi Bashingamateka nabo nyene barashikirije intererano zabo. Barasavye ko kuvyerekeye ibiringo Umukuru w'Igihugu yotwara hakwiye kwisungwa ico abenegihugu bipfuza, abandi nabo bakaba barasavye ko hofatwa ingingo zikomeye zo guhangana n'ubukene mugihe abandi bagarutse kw'igwirirana ry'abantu bagasaba k'umurindi w'irondoka wogabanurwa.

Muri ico kiganiro nyene, ikibazo c'ibitigiri vy'amoko y'abinjira mu nzego naco caragarutsweko, Abashingamateka bamwe barasavye ko ubwoko bwose bwoserukirwa muri Leta , mu Nama Nshingamateka no mu nzego z'umutekano hisunzwe uko bangana mu gihugu cose. Muri iyo ntumbero, Abashingamateka bakomoka mu bwoko bw'Abatwa barasavye ko Abatwa boserukirwa bishimishije mu nzego zifata ingingo. Nayo kuvyerekeye gusubiramwo Ibwirizwa Shingiro, abenshi barasavye




ko ryohinyanyurwa. Abandi nabo barerekanye ko bikwiye ko abenegihugu baronswa inyigisho kuvya demokarasi; abanyapolitike nabo bakiyemeza kuzokwama basonera ibivuye mu matora

Abashingamateka b'abakenyezi baragarutse bashimitse kuguserukirwa kw'umukenyezi mu nzego zifata ingingo gushika kubice mirongo itanu kw'ijana batibagiye n'igisata c'uburwizatunga. Abandi bashingamateka barasavye ko hobaho umugambi wo kurwiza ubuzi ku bakiri bato no gukosora biboneka ubusumbasumbane bw'imishahara.

**Arlette AKIMANA**

## Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragendeye zone ya Musenyi

Kw 'igenekerezo rya11 Ntwarante 2017 , Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa



Pascal NYABENDA yarifatanije n'abenegihugu bo muri zone ya Musenyi yo muri komine ya Mpanda mu ntara ya BUBANZA, mu bikorwa vyo kuvanga isima n'umusenyi vyo gusasa mu masomero atatu y'ishure nshingiro rya Musenyi ya 1. Mw'ijambo ry 'ikaze, Buramatari w'Intara ya **BUBANZA** Tharcisse NIYONGABO yamenyesheje ko amahoro n'umutekano bikwiye mu ntara yose ati *« inyuma y'ikiza c'inzara intara yahitiyemwo, icizere kiriho co kuronka umwimbu mwiza mu gihe c'impeshi kuko imvura ikwiye iragwa. »*

Yamenyesheje kandi ko muri ico gihe c'inzara intara ihitiyemwo, abagiraneza batahengeshanije kubagarukirako bagafashisha ibifungurwa abasinzikaye kurusha abandi. Akarorero n'Igihugu c'Ubushinwa catanze imfashanyo y'umuceri, umuryango wose muyikenye cane ukaba waronswa ibiro mirongo ibiri na bitanu(25).

Bulamatari Tharcisse NIYONGABO yongeyeko ko kubera ico kiza c'inzara catewe n'ihindagurika ry'ikirere, indwara zituruka ku gufungura nabi zariyongereye, hakaba haharurwa n'imiburiburi abana 270 bafashwe kuri bur'i komine.

Mw'ijambo ryiwe, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal

NYABENDA, yamenyesheje ko yaje gushigikira no gutera intege abenegihugu bo ngaho mu bikorwa vy'iterambere rusangi, akabayatanze intererano y'imipfuko mirongo ibiri y'isima. Nayo ku bagiraneza badahengeshanya gufashisha ibifungurwa abasinzikajwe n'inzara, Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yarabashimiye cane ashimira n'igihugu c'Ubushinwa catanze umuceri ku benegihugu b'i BUBANZA, ati Ubushinwa n'Igihugu cunze ubucuti n'Uburundi.
Umukuru w'Inama Nshingamateka yarerekanye kandi ko zone ya Musenyi ari ikigwati giteye imbere kuko gifise amatara n'amazi ariko ko isuku ridashemeye, aca aboneraho gusaba abanyamusenyi ko buri rugo rwose rukwiye kuba rufise akazu ka surwumwe karwo, asaba n'abatunganya isoko ya Musenyi






kwitaho isuku ryayo. Yarongeye aragaruka kw'igwirirana ry'abantu ryibonekeza ku Musenyi ku rugero rurenze, asaba abenegihugu kwitaho umugambi w'irondoka rijanye n'amagara meza ati bitabaye uko iryo gwirirana rizokwega ingorane zizohungabanya n'umutekano.
Ivyo bikorwa vy'iterambere rusangi birangiye, Umukuru w'Inama Nshingamateka yararorereye ihiganwa ndangakaranga ryatunganijwe n'intara ya BUBANZA. Iryo higanwa ryahuje imirwi ndangakaranga ikomoka mu makomine yose agize iyo intara. Ikomine yose ikaba yari yaserukiwe n'imirwi itatu yatowe mu yindi kugira ngo haboneke imirwi izoza iraserukira intara mu birori bitandukanye.
Umukuru w'Inama Nshingamateka yarateye intege iyo mirwi ndangakaranga abamenyesha ko hambavu yo guserukira intara, mu gihe iyo mirwi yoshishikara yerekana vyiza, yobeshwaho n'ubwo buhinga bwayo ati kuko botumirwa mu bindi birori bihambaye bakaharonkera uburyo bwo kubeshaho imiryango yabo. Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yabavuniye akagohe ko ivyo bikorwa bishobora kuvamwo urudandazwa rukomeye.
Ivyo birori birangiye, udushimwe twaratanzwe ku mirwi yarushije iyindi, Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yaraterereye cane muri ico gikorwa.

**Arlette AKIMANA**

## Umukuru w'inama Nshingamateka yaragendeye intara ya Mwaro.

*«Harageze ko abenegihugu bamenya ibikogwa vy 'abo batoye ngo babaserukire»*
Ivyo nivyo Nyakubahwa Pascal NYABENDA Umukuru w'Inama Nshingamateka yashikirije kw'igenekerezo rya 17 ntwarante umwaka 2017mu nama yagirishije imvukira z'Intara ya Mwaro. Abashingamateka n'Abakenguzamateka batowe muriyo ntara niho bari, abayobozi b'ubuzi butandukanye bukoregwa muriyo ntara, abajejwe intwaro gushika ku mitumba bari bitavye iyo nama. Iyo nama ngo iri mu rukurikirane rw'inama Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yihaye

kugira yigishe abenegihugu ibikogwa vy'abatowe ngo babaserukira hamwe n'ingene Inama Nshingamateka ikora.
Mw'ijambo rya Bulamatari w'iyo ntara yavuzeko amahoro n'umutekano ari vyose ko n'abenegihugu bari ku mirimo yabo ya misi yose.
Ikindi yabwiye Umukuru w'Inama Nshingamateka nuko abenegihugu bo mu ntara ya Mwaro bamaze gutegera iciza c'ishure shingiro, ariko akanegura cane ingene iyo ntara iza mu bibanza vya mbere aho abanyeshure baheba amashure ku bwinshi. Ivyo rero ku ruhande rumwe ngo biva kubukene kurundi ruhande naho bikava ku kiza c'ingwara ya malariya. Iyo ntara kandi ya Mwaro ikaba ata buryo ifise bwo gusanura inyubakwa zabomowe n'imvura n'umuyaga bihitiye hano mu Burundi.
Imbere yo kw'injira mw'ido n'ido ry'ijambo ryari ryamuzindukanye mu ntara ya Mwaro, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA yabanje gushimira abenegihugu bo mu Ntara ya Mwaro kuko igihe c'imigumuko yo muri 2015 bagumye bafatanye mu nda.
Kubijanye n'ingene Inama Nshingamateka ikora, Nyakubahwa Pascal NYABENDA yavuzeko uretse kugenzura ibikorwa vya leta no gutora integuro z'amabwirizwa, Abashingamateka ngo barashika mu ntara zitandukanye kugira barabe uko amabwirizwa yatowe ashigwa mu ngiro. Umukuru w'Inama Nshingamateka yarasiguriye abitavye iyo nama kandi uko ibisata vyo mu Nama Nshingamateka bikora hamwe nuko Abashingamateka baja mu migwi yamaho. Yarababwiye kandi aho integuro y'ibwirizwa ibanza guca gushika ishikanywe aho Abashingamateka baba bashashe. Ibiro vy'Inama Nshingamateka bikaba birimwo Abashingamateka batatu



bategerezwa kuva mu migambwe no mu bwoko butandukanye.
Kubijanye n'imigwi yamaho ihurikiyemwo Abashingamateka, yababwiyeko iri imice 8 : umugwi wamaho ujejwe ivya politike, Umugwi wamaho ujejwe intwaro ibereye, umugwi wamaho ujejwe agateka ka zina muntu, Umugwi wamaho ujejwe ubutunzi, Umugwi wamaho ujejwe ukwivuna abansi n'umutekano, umugwi wamaho ujejwe uburimyi n'ubworozi, umugwi wamaho ujejwe imibano hamwe n'umugwi wamaho ujejwe ivy'inyigisho.
Yabandanije ababwirako bivanye n'ivyo abenegihugu bakeneye, Ubushikiranganji butandukanye butegura integuro z'amabwirizwa babanza kwiga mu Nama Nshikiranganji hanyuma bagaca bazirungika mu Nama Nshingamateka kugira bige izo ntegur o z'amabwirizwa hanyuma bazemeze. Izo nteguro z'amabwirizwa zimaze gushika mu Nama Nshingamateka rero zica zibanza kwigwa n'imigwi yamaho bivanye n'igisata kivugwamwo. Aho rero niho Nyakubahwa Pascal NYABENDA yababwiyeko abenegihugu bategerezwa gutanga intererano zabo zoza mu ngingo zimwe zimwe zigize iyo nteguro y'ibwirizwa.
Mu guheraheza igice ca mbere c'ukuntu Inama Nshingamateka ikora, Umukuru w'Inama



Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA yavuzeko igikorwa c'imigwi yamaho kimaze guhera, izo

nteguro z'amabwirizwa zica zemezwa mu Nama Nshingamateka yashashe.
Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaranavuze ibijanye n'imibano n'ubutunzi. Yasavye abajejwe intwaro kwishimira ubutegetsi bwegerejwe amakomine hanyuma abasaba ko bokoresha neza za miliyoni 500 bahabwa. Yasavye kandi abasitanteri kuza barakorera ku migambi y'abenegihugu, bongere babahe uruhara rukwiye mu migambi bo nyene babona ko ibafitiye akamaro.
Ku bijanye n'imibano, Nyakubahwa Pascal NYABENDA yarashimikiye ku kuntu hoba igabanywa ry'imvyaro kuko igwirirana ry 'abenegihugu bituma ata terambere rihaba.mubituma rero habaho igwirirana ry'abantu harimwo uguharika hamwe n'inda z'ibitwarire. Ikindi yavuzeko n'inzoga zitemewe n'amategeko zigwaza, hanyuma zigatuma n'umutekano uhungabana mu ngo.
Mu vya politike naho, Umukuru w'Inama Nshingamateka yavuzeko ibijanye n'ibiganiro bihuza abarundi biriko biraba mu gihugu hagati no hanze y'igihugu. Yaraneguye ingene hariho abibazako ibiganiro bibera Arusha bizotuma hajaho leta y'imfata kibanza vyotuma hababho kugabura ubutegetsi. Ati *«ivyo ntibizigera bibaho kuko abarundi ata Arusha ya Kabiri bakeneye. »* Yaciye abahamagarira nyabuna gutegura amatora yo muri 2020. Nyakubahwa Pascal NYABENDA yababwiye kandi ko leta itazoganira n'abashatse gutembagaza ubutegetsi nkuko bimwe mu bihugu vyo hanze bivyipfuza, ati nyabuna abo bashatse gutembaza ubutegetsi ni baje mu butungane intahe ibakubite mu gahanga, ati atari uko naho nugusasira indava ukudahanwa.



Abitavye iyo nama bararonse akaryo ko kubaza ibibazo no gutanga intererano ku bibazo bimwe bimwe. Bimwe murivyo bibazo bavuze ni utunenge turi mw'ibwirizwa rigenga amasoko ya leta, gushira mu rurimi rw'ikirundi ibwirizwa rigenga gukinga no gukingira abagirizwa ihohotegwa rifatiye ku gitsina, hamwe n'ikena ry'inyubakwa z'inyigisho hamwe nuko boduza ibitigiri vy'abaserukira ubwoko bw'abatwa mu nzego.
Kubijanye n'utunenge turi mw'ibwirizwa rigenga amasoko ya leta, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA yabamenyesheje ko hariho integuro y'ibwirizwa iriko irigwa izohava yemezwa n'Inama Nshingamateka mu misi iri mbere. Kubijanye naho no gushira mu rurimi rw'ikirundi ibwirizwa rigenga gukinga no gukingira abagirizwa ihohoterwa rifatiye ku gitsina yavuze ko agiye kubishikana mu nzego zibijejwe. Mu guheraheza, Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaragarutse ku bijanye n'iserukirwa ry'ubwoko bw'abatwa mu nzego, yabahamagariye kuja mu migambwe kugira baronke ababaserukira bakwiye.

**Providence NIKIZA**

## Umukuru W'Inama Nshingamateka yarakoreye ibikorwa rusangi muri komine ya Ndava

Akibandanya ku gendera intara ya Mwaro, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA yarifadikanije n'abenegihugu ku musi wa gatandatu igenekerezo rya 18 ntwarante umwaka wa 2017 mu bikorwa rusangi bijanye no gusasa amabuye mu birasi bitatu bizoba ikigo co kwigisha imyuga, n'umushinge w'ibiro vy'abayozi b'ico kigo.
Mw'ijambo ryiwe ryo kwakira abashitsi, musitanteri wa komine Ndava yarashimiye bimwe bivuye ku mutima umukuru w'Inama Nshingamateka kuko yaje kubagendera naho yari afise ibikorwa vyinshi, akanifadikanya na bo mu bikorwa rusangi. Yarabamenyesheje ko iyo komine iriko irahangana n'ikiza ca malariya hamwe n'igabanuka ry'umwimbu kubera izuba ryatse muri iyo komine ku mpeshi y'umwaka uheze. Mw'ijambo ryiwe, Nyakubahwa umukuru w' Inama Nshimateka yarashimye kubona abenegihugu b'i Ndava baramaze gutahura akamaro k'ibikorwa rusangi afatiye ku gitigiri c'abari bavyitabiriye. Yabandanije ashikiriza intumbero y'umugwi ujejwe ukuri n'ukurekuriranira na cane cane ko hamaze kuboneka ahahambwe abantu benshi ikivunga mu ngorane Uburundi bwagiye buracamwo. Umukuru w'Inama Nshingamateka yaciye abatomorera igikorwa c'umugwi ujejwe kumenya ukuri n'ukurekuriranira ko ari ukurwanya



bivuye inyuma urwanko ruri hagati y'abarundi rwavuye ku kahise k'Uburundi aca asaba abenegihugu kuguma batekanye bakoroherez uwo mugwi gukora ico wajejwe. Ati Uwo mugwi ico ujejwe ni ukunywanisha abarundi ubicishije mu kumenya ukuri kuvyabaye vyose mu ndyane za politike Uburundi bwagiye buracamwo.

Umukuru w'Inama Nshingamateka yaravuze kandi kw'irondoka rijanye n'amagara meza, asaba abenegihugu gukoresha uburyo bwo kugabanya imvyaro kuko amatongo yamaze kwaga. Yabandanije ahanura urwaruka cane-cane abigeme kutihutira kurongorwa, babandanye amashure kugira bategure kazoza keza. Hanyuma Umukuru w'Inama Nshingamateka yashimikiye cane ku mugambi wa Reta werekeye ishure Nshingiro utabonwa neza na bamwe bamwe nk'uko vyamenyeshejwe n'abahatwara.

Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka Pascal NYABENDA yaramenyesheje neza abari bitavye ibikorwa ko Reta itoshobora gutanguza umugambi utagira ico uzomarira abenegihugu. Umukuru w'Inama Nshingamateka yarangije ijambo ryiwe abemereye kuzobaronsa imipfuko 30 y'isima izofasha muri iyo nyubako y'ico kigo co kwigisha imyuga co ku Ndava.

**Providence NIKIZA**

## UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA YARAHAYE UMUBONANO INTUMWA Z'UBUSERUKIZI BW'IGIHUGU C'UBUSUWISI MU BURUNDI



Kwunga ubucuti hagati y'Inama Nshingamateka y'Uburundi n'Ubuserukizi bw'igihugu c'Ubusuwisi mu Burundi ni kimwe muvyaganiriweko n 'Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA n'ubwo buserukizi. Hari ku muhingamo w'igenekerezo rya 23 Ntwarante 2017. Izo ntumwa zari zigizwe n'Umupfasoni Christelle MELLY hamwe na Thomas NTAMBU. Muri uwo mubonano baganiriye ku bisata vyihutirwa ubwo buserukizi bw'ico gihugu bwofashamwo Inama Nshingamateka y'Uburundi.

Umuvugizi w'Inama Nshingamateka Alexis Badian NDAYIHIMBAZE yaramenyesheje ko ubuserukizi bw'Ubusuwisi mu Burundi aribwo bwasavye uwo mubonano. Ivyo bibaye mu gihe hari haheze umwaka ibihugu bimwe bimwe vy'Ubumwe bwa Buraya vyarahagaritse ugufashanya hagati yavyo n'Uburundi.

Muri kino gihe, bimwe muri ivyo bihugu biriko birasubira ku ngingo zavyo kugira binagure imigenderanire n'Uburundi. Muri uwo mubonano bakaba bumvikanye ko igihugu c'Ubusuwisi kigiye gufasha mu gukarihiriza ubwenge ba Nyakwubahwa Abashingamateka n'abandi bakozi bo mu Nama Nshingamateka

Ubuserukizi bw'Ubusuwisi mu Burundi bwaremeye kandi kuzotanga ibikoresho bigizwe n'imashini nyabwonko, hakaba hategekanijwe urugendo rw'abahinga b'ubwo buserukizi mu misi iri imbere kugira ngo bamenye ibikoresho bikenewe aho mu Ngoro y'amakoraniro yo mu Kigobe.

Ubuserukizi bw'ubusuwisi mu Burundi bwaremeye no gushigikira iciyumviro co gutsimbaza imigenderanire biciye mu ngendo-shure catangujwe n'Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA.

Umuvugizi w'Inama Nshingamateka yaramenyesheje ko Umukuru w'Inama Nshingamateka yashimiye cane izo ntumwa z'Abasuwisi kuri ako kigoro, amenyesha kandi ko uwo mubonano ufise ubutumwa bukomeye.

**Florine MUKESHIMANA**

## Umukuru w'Inama Nshingamateka ariko aha umubonano intumwa Idasanzwe y'igihugu c'Ububirigi mu Karere k'ibiyaga binini.



Ku musi wa kabiri igenekerezo rya 28 Ntwarante 2017 ,Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yarakiriye intumwa z'Igihugu c'Ububirigi mu karere k'Ibiyaga binini zirongowe n'Intumwa idasanzwe Renie NIJSKENS. Baganiriye ahanini ku vyerekeye imigenderanire y'ugufashanya hagati y'Igihugu c'Ububirigi n'Uburundi.Uwuserukira igihugu c'Ububirigi mu Burundi Bernard QUINTIN,yamenyesheje ko bashimye kuza kuganira n'Umukuru

w'Inama Nshingamateka kuko Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka zifise uruhara rudasanzwe mu gukomeza demokarasi.
Bernard QUINTIN yamenyesheje ko ubu ari igihe co guteza imbere imigenderanire ifatiye ku gufashanya hagati y'Uburundi n'Ububirigi mu nyuma y'aho ivyo bihugu vyari bimaze



imisi imigenderanire itifashe neza,ati ariko dutsinde ishavu tubirengere kuko igihe gihagije co kutavuga rumwe caheze. Yaramenyesheje kandi ko ibintu bigiye kuja imbere maze ivyo bihugu bigafashanya mw'iterambere.Yaremeje ko igihugu c'Ububirigi gifise intumbero yo guteza imbere imigenderanire mu gufashanya n'Igihugu c'Uburundi.

Ku vyerekeye ubucuti mu vyo gutanga imfashanyo hagati y'Uburundi n'Ububirigi,uwuserukira igihugu c'Ububirigi mu Burundi Bernard QUINTIN yamenyesheje ko ubwo bumwe butakuweho burundu kuko ibice 80% vy'imfashanyo n'ubu biracatangwa mu bisata vyegereye cane abenegihugu. Yaramenyesheje ko Igihugu c'Ububirigi cipfuza guteza imbere ubwo bumwe.
Umuvugizi w'Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi yamenyesheje ko Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yanezerejwe cane n'ukwakira intumwa z'Igihugu c'Ububirigi kuko ico gikorwa caheruka kera. Iruhande yo kuganira ku vyerekeye imigenderanire yo gufashanya, umuvugizi w'Inama Nshingamateka y'Uburundi yamenyesheje ko abo banyacubahiro babiri(Uwaje arongoye intumwa z'Igihugu c'Ububirigi n'Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi) baganiriye kandi ku vyerekeye uko Inama Nshingamateka y'Uburundi iriko irarangura ibikorwa vyayo, Umukuru w'Inama Nshingamateka yamenyesheje izo ntumwa z'Igihugu c'Ububirigi ko Inama Nshingamateka iri ku kivi mu guserukira abenegihugu nk'uko nyene arico ijejwe, mu kugenzura ibikorwa vya Leta no gutora amategeko.
Mubijanyenogutora amategeko, Umuvugizi w'Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi yaramenyesheje ko izo ntumwa z'Igihugu c'Ububirigi zashikirije amakenga ku bijanye n'amategeko amwe amwe agenga amashirahamwe ategamiye Leta,ayo mategeko akaba aherutse kwemezwa n'Inama Nshingamateka y'Uburundi.

Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi yarabamenyesheje ko mu gihe hobaho ivyo badatahura neza, ko bobimenyesha mu ntwaro babicishije mu bushikirangaji bw'Imigenderanire n'Amakungu no gushigikirana kugira kumbure butange umuco. Ku bijanye no guhindura ingingo zimwe zimwe zo mw'ibwirizwa nshingiro ry'Uburundi, Umuvugizi w'Inama Nshingamateka y'Uburundi yamenyesheje ko Umukuru w'Inama Nshingamateka yabariye intumwa z'Igihugu c'Ububirigi ko ubwo ari uburenganzira bw'Abarundi bwo kwemera canke bagahakana ko ibwirizwa Nshingiro ry'Uburundi rihindurwa ati «kandi abenegihugu ni babisaba ntakizobibuza, kandi ko bizobera ku mugaragaro.
Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi yaremeje izo ntumwa z'Ububirigi ko Uburundi bwiteguye kwakira Ububirigi mu vyo guteza imbere imigenderanire.

**Arlette AKIMANA**

## Icegera ca Mbere c'Umukuru W'Inama Nshingamateka yaritavye ibirori vyo Kwugurura uruganda rwateguwe n'Umuhuza w'Abarundi.

Igenekerezo rya kabiri Ntwarante 2017, Urwego rw'Umuhuza w'abarundi rwaratunganije uruganda ruzomara iminsi itatu ku civugo : « ugutwara neza mu butunzi, mu mibano, no mu mutekano, uburyo bwo gukinga amatati ».Urwo ruganda rukaba rwari rwitabwe n'abanyacubahiro batandukanye

gushika no kuri ba musitanteri bo mugihugu cose. Inama Nshingamateka ikaba yari yaraserukiwe n'Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka, Umushingamateka Agathon RWASA n'abakuru b'imigwi yamaho mu Nama Nshingamateka.

Mw'ijambo Umuhuza w'abarundi yashikirije, yavuze ko intumbero y'urwo ruganda ko ari ukugira urwego arongoye rugire ico rutererey e Leta y'Uburundi n'izindi nzego zibijejwe kugira vyameho hagati y'abarundi. Ati gutsimbataza ugutwara neza bisaba gushira hamwe inguvu za bose.

Umuhuza w'abarundi yariyemeje ko mu bisata bine urwo rwego arongoye rujejwe azisunga cane cane ingingo ya gatatu ivuga ivyo kugenzura ko abajejwe intwaro kuva hasi gushika hejuru bakora uko bikwiye haba mu butunzi, muri politike, mu mibano no mu mutekano; n'ingingo igira kane yerekeye n'ivyo gukinga amatati.

Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Igihugu Dogiteri Joseph BUTORE ari nawe



yuguruye icese ivyo birori, yarashimye urwo ruganda ku bisata vyo gutwara neza, politike, intwaro, ubutunzi, imibano n'umutekano bishobora gutsimbataza amahoro n'iterambere rirama.

Yasavye abatumiwe muri urwo ruganda kuzorabira hamwe cane cane ibi bikurikira :

-Ingene hashigwaho abajejwe intwaro mu gihugu cacu ;

-ingene ivyerekeye guteza imbere ivyerekeye umutekano mu bice vyose,

-Icokorwa kugira ibijanye na politike y'ubutunzi mu bice vyose,

-Ingene urwaruka rwoshigikigwa mu gihe bashitse mu bibagoye vy'ubuzima n'ibindi.

**Pétronie BUCUMI**

## Umurwi w'amaho ujejwe intwaro ibereye no gushira mu minwe y'abikorera utwabo amatungo ya Leta warashikirije icegeranyo kubijanye n'ukurwanya igiturire.



Abashingamateka bari munama ya bose irongowe na Nyakubahwa Pascal NYABENDA Umukuru w 'Inama Nshingamateaka barakurikiye icegeranyo cashikirijwe n'Umukuru wuwo murwi Umushingamateka RURAHINDA Bénigne.

Abashingamateka babanje gukurikira icegeranyo muri make c'ivyakozwe maze mu gice ca kabiri bakurikira ireresi y'ivyo baranguye mu kuvugana nabafise ivyo bajejwe mu kurwanya ibiturire. Iyo reresi ikaba yerekanywe hari abashikiringanji babiri ba Leta y'Uburundi harimwo uwo mu biro vy'umukuru w'igihugu ajejwe intwaro ibereye ari kumwe n'umushikiranganji w'ikigega ca leta no gushira amashirahamwe ya leta mu minwe y'abikorera utwabo. Ubutungane n'igipolisi nizo nzego zivurwamwo igiturire kurusha izindi nzego nkuko biri muri ico cegeranyo. Muri rusangi rero igiturire kiravurwa kandi kirahari kanatsinda hariho ama dosiye arimbere y'ubutungane hakaba hari nayandi yamaze guhera

gukorwa kandi na leta ikaba imaze kuronka amafaranga menshi agaruka mu kigega. Uwo murwi warahuye n'abantu benshi barimwo abaserukira abajejwe intwaro, abari mu gipolisi kijejwe uruja n'uruza ku mabarabara, abajejwe amasoko, abari muri Sentare yubahiriza amatungo ya Leta, abunguruza abantu n'ibintu n'abandi bakorera muri bene ivyo bisata bivurwamwo ibiturire.Icibonekeje n'uko igiturire kicigaragaza na cane cane mu bisata vy'igipolisi n'ubutungane, aho havurwa ahanini igipolisi kiraba uruja n'uruza ku ma barabara, hamwe n'ikijejwe gukingira ibidukikije. Umugwi wamaho ujejwe intwaro ibereye washatse kumenya nimba ata mategeko yo hinyanyurwa ajanye no kurwanya igiturire.

Ikindi kibazo cabajijwe n'ukumenya yuko ata mategeko yoshirwaho mu guhana abantu barya ibiturire na cane cane aho bikunda kuvurwa cane akaba ari mu gisata c'ubutungane. Abatowe n'abenegihugu barabajije igitigiri c'amafaranga Leta yoba imaze kugarura biciye mu kurwanya ibiturire nuko amafaranga atozwa akwiriye. Ku bijanye n'abafise ivyo basaba, Banyakubahwa Abashingamateka bashatse kumenya y'uko hatoshirwaho mu buzi butandukanye ahaja abantu bihuta bakagira ico barengejeko mu kuriha hanyuma abatihuta bakariha aya sanzwe bakavuga ko ivyo bikozwe hoca haba akarusho mu kigega ca leta.

Umushikiranganji w'Ikigega ca leta Domitien NDIHOKUBWAYO yamenyesheje ko ico gisata kibayeho coteza ibibazo kuko cotuma haba amacakubiri y'ukuntu abantu babayeho bikonona umubano kandi ko atakurihira ikintu umuntu afitiye uburenganzira. Abashingamateka barabajije kandi yuko hatoba hari umugambi wo kwongereza ibiro vya OBR mu gihugu hagati no mu turere turi kure. Umushinkiranganji w'Ikigega ca Leta yamenyesheje yuko ibiro vya OBR vyongerejwe, ubu hakaba hagezweko ibiro y'amaposta agera kuri cumi n' abiri kare hahora atatu gusa. Yaranashikirije yuko izo nyubako zisaba uburyo bwinshi kandi buzimvye kuko kenshi binasaba kuba hari umuhora wa internet.

Ku ruhande rwiwe, Umushikiranganji ajejwe Intwaro Ibereye yameyesheje ko abarya ibiturire atari abapolisi canke abari mu butungane bose, ati hariho abantu bamwe bamwe bari muri izo nzego bigenza nabi bafise iyo ngeso. Mu gisata c'ubutungane yamenyesheje yuko kurya ibiturire biboneka ahanini mu ma sentare y'intango hatibagiwe ko abadashimishijwe n'urubanza bashobora gucafuza ubutungane.

Kubijanye n'ihinyanyurwa ry' amategeko ajanye n'ukurwanya igiturire, Umushikiranganji yamenyesheje ko integuro y'iryo bwirizwa iri mu nama nshikiranganji.

Kuvyerekeye amafaranga amaze kugaruka mu kigega ca Leta, Umushikiranganji w'Ikigega ca Leta yamenyesheje yuko agera ku miliyaridi indwi zimaze kwinjira, ku miliyaridi icumi zitezwe kuzova mu manza ziriko ziraburanishwa.

**Christine NAHIMANA**

# Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yararanguriye ibikorwa rusangi mu ntara ya Bubanza

Ku musi wa gatandatu, igenekerezo rya 18 Ntwarante 2017, Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yararanguriye ibikorwa rusangi mu ntara ya Bubanza.

ivyo bikorwa vyari vyerekeye gutera ibi bingobingo kumikobeko iri ku musozi wa Nyabitaka muri komine n'intara ya Bubanza. Jocky Chantal NKURUNZIZA Icegera ca Kabiri C'Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yari yifatanije n'abo benegihugu ari kumwe n'Umupfasoni w'Umukuru w'Inama Nshingamateka Marie NDABIGEZE.

Barikumwe n'abajejwe intwaro, abatowe, mu ntara ya Bubanza n'abenegihugu baciye begenda ku musozi wa Nyabitaka aho bateye ibibingobingo ku mikobeko ku musozi uhanamye cane. Mwijambo ry'ikaze,



Musitanteri wiyo komine yaramenyesheje yuko ahimbawe no kubona bagendewe ati ni icerekana ko abatowe bitayeho abenegihugu.

Muri iyo komine, amahoro n'umutekano birasasagaye,abenegihuigu bari kukivi

nkuko bisanzwe ariko rero isizeni ya A ntiyabaye neza kuko haratse uruzuba ruca rutuma inzara itera muri iyo ntara ariko ubu akavura kararwa neza ariyo mpamvu umwimbu witwezwe muri iyi misi iri imbere.

Ubu rero imvura ikaba irwiriye, abenegihugu bakaba biteze umwimbu uboneka. Mw'ijambo ryiowe bulamatari w'intara Tharcisse NIYONGABO yaramenyesheje ko umutekano ari wose mu ntara abenegihugu bari kukivi kandi bitabira ibikorwa rusangi. Yanaramenyesheje yuko kugira bashobore guteza imbere igisata c'ukubaho neza barihaye intumbero yuo kurwanya nyakatsi baca bigira inama yuko umusore wese ashaka kurongora ategerezwa kuba afise inzu y'amabati.

Icegera ca kabiri c'umukuru w'inama nshingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA nawe yarashimiye abenegihugu kukuntu bitabira ibikorwa rusangi. Yaramenyesheje ko cari igikorwa co gukingira ibidukikije gituma barwanya inkukura bakarinda isi ndimwa ntitwarwe kandi bigafasha no guhangana n'ihinduka ry'ibihe. Yaribukije yuko ihindagurika ry'ibihe rituma haba amapfa ati rero



nukubunga bunga ibidukikije n'ugukingira isi kugira umwimbu uboneke. Nkuko ari mu kiyaya c'imbo aho haba uguharika birenze be na cane cane mu gihe haba habaye umwimbu aho benshi baca bawumarira kwisoko. Icegera ca mbere c'umukuru w'inama nshingamateka yarabatekereye impanuro yuko bozigama umwimbu kandi ko bokwirinda kuvyara abana badashobora gutunga mu kubashira kwishure no kubaha ivya nkenerwa. Yaranabahamagariye gufashanya hagati y'abo nkuko biri mu mico n'imigenzi y'abarundi, imbere yo kuja kurindira imfashanyo hanze.

Inyuma y'ico gikorwa Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA yaciye aja gushikiriza imfashanyo abenegihugu basinzikajwe n'inzara iturutse kuruzuba, kukibuga c'umupira w'amaguru co ngaho i Bubanza. Iyo mfashanyo ikaba yatanzwe n'ishirahamwe « Uburundi ni rwacu », izo mfashanyo zikaba zari zigizwe n'ibigori, ibiharage, n'ibigori.

Inyuma y'umutaga, kumusi wa gatandatu, Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yararoreye urukino rwa Netball ruhuza umurwi w'Inama Nshingamatake na Nkenguzamateka rukaba rwarangiza ihiganwa ryo mw'ishirahamwe ry'ibujumbura.Aho umurwi w'Inama nshingamateka wategukanye igikombe c'iryo higanwa.

**Gabby BUGAGA**

## Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Igihugu yarashikirije Abashingamateka n 'Abakenguzamateka ivyaranguwe mu gice ca kabiri c 'umwaka w '2016

« *Ukumenyekanisha imigambi y'iterambere rirama (ODD), n'igikorwa c'Ubushikirangaji bw'Intwaro Nziza n'Ugutunganya Imigambi ».*

Ivyo n'ivyashikirijwe n'Icegera ca mbere c'Umukuru w'Igihugu Gaston SINDIMWO ku musi wa mbere igenekerezo rya 13 Ntwarante 2017 imbere y'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka aho yari yaje gushikiriza ivyaranguwe na Leta mu gice ca kabiri c'umwaka w'2016 mu bisata bikukira ibiro vy'Icegera ca mbere c'Umukuru w'Igihugu

Ingingo 17 z'ihangiro ry'iterambere rirama(Objectif du Développement Durable ODD), ni umugambi w'isi yose, ariko Abashingamateka n'Abakenguzamateka baratangazwa n'ukubona abenegihugu benshi batazizi kandi kuzimenyekanisha ari igikorwa ca Leta. Abo batowe n'abenegihugu barasavye ko Leta yokwerekana neza abakwiye kwigishwa ivy'iryo hangiro ry'iterambere bose kugira ngo abo batowe n'abenegihugu batanguye ico gikorwa ntibame baja kubisigurira imirwi imwe gusa. Kubw'Icegera ca mbere c'Umukuru w'Igihugu, baba abagize Leta, baba Abashingamateka n'Abakenguzamateka bose izo nyigisho barazikeneye.

Nayo kuvyerekeye ivyaranguwe n'Ubushikiranganji bukukira ibiro ajejwe, Icegera ca mbere c'Umukuru w'igihugu Gaston SINDIMWO yaramenyesheje ko amafranga

angana n'1.058.978.442 y'amarundi yarinjiye mu kigega ca Leta avuye mu gisata c'amatongo. Impapuro z'amatongo 2.357 zaratanzwe, amasezerano y'ugupangisha 457 yihwejwe, ivyagurishijwe 41, amasezerano 531 y'ubuguzi n'amadosiye 998 ajanye n'ingwati mu mabanki.

Yaravuze kandi ko sentare ijejwe kurwanya ibiturire yaciye imanza zishika 75 n'izindi 24 zashizwe mu ngiro, ivyo bikaba vyatumye hinjira mu kigega ca Leta amafranga angana 94.270.583 y'amarundi. Abashingamateka n'Abakenguzamateka barerekanye ko ubwo buryo bwinjiye ari buke ugereranije n'ibiturire bivugwa aha na hariya mu gihugu bahanura nyabuna ko inguvu zokwongezwa kugira ico giturire gituzwe.

Icegera ca mbere c'Umukuru w'Igihugu yaramenyesheje kandi ko mu gisata c'ubutungane abacamanza 21 bakurikiranywe n'ubutungane, yongerako ko igisata c'ubugenduzi bukuru bwa Leta gifise igorane mukurangura amabanga kijejwe atanga akarorero k'ingene ikigo OBR kijejwe kwegeranya amakori kidakundira ubwo bugenduzi gusuzuma ibikorwa vyaco . Abashingamateka n'abakenguzamateka barerekany ko biteye amakenga kubona ibisata bibiri bikukira Leta bicanamwo. Barongeye baboneraho akaryo ko gukebura Leta ko inyigisho zo gukundisha igihugu zikwiye nyabuna guhabwa abagiye mu migumuko yo mu mwaka w'2015 gusumba kuzijana mu bigo bitekanye nka ISCAM na UPG. Mu bushikiranganji bw'abakozi n'akazi, haragenzuwe amadosiye 100 n'impapuro z'umutsindo 803 z' abakozi ba Leta mu bisata vy'indero n'amagara y'abantu bakomoka mu ntara 9. Haramenyekanye kandi amazina 693 y'abakozi bahembwa badakora n'impapuro z'umutsindo za magendu 18. Muri ivyo, amafranga angana 523.640.904 y'amarundi akaba yarinjiye mu kigega ca Leta. Muri ico gisata nyene, kuva umwaka w'2016 utanguye, haratunganijwe ikosorwa ry'ubusumbasumbane bw'imishahara ku bakozi ba Leta, amafranga angana n'imiliyaridi 20 akaba yaratanzwe na leta muri iyo ntumbero. Mu gisata co kwivuna abansi, harinjijwe imikangara



mishasha muri urwo rwego, abitegurira kuba intwazangabo109 barimwo abigeme 8, abitegurira kuba ibisongerezi 366 barimwo abigeme 21, n'abitegurira kuba abasirikare batobato 1.100 barimwo abigeme 73 n'abatwa 23, intumbero kukaba kwari ugusubiriza abakukuruka.

Mu bushikiranganji bw'imigenderanire n'ayandi makungu, Icegera ca mbere c'Umukuru w'igihugu yaramenyesheje ko Leta n'ibanki y'isi yose bateye igikumu ku masezerano y'imigambi itatu izotwara amadorari y'abanyamerika imiliyoni 102(umugambi wo gukarihiriza ubwenge abari mu nzego za leta muvyo gutwara neza, imiliyoni 22 z'amadorari ; umugambi wihuta wo gusanura inyubakwa n'ibikoresho, imiliyoni 25 z'amadorari ; umugambi wo gushigikira kugwiza umwimbu w'ikawa, imiliyoni 55 z'amadorari). Ubwo bushikiranganji kandi bwarasabwe ko bwokwihweza neza ibijanye no kurungika abanyeshure kwiga hanze kuko bisigaye biboneka nko kwiba igihugu incabwenge zaco. Abandi nabo baboneyeho akaryo ko guhanura ko nyabuna hokwihwezwa uko abo banyeshure bafatwa iyo bishitse bakagaruka, bemeza ko badafatwa neza,mbere hari naho bishika bakihebura bagatwarwa n'ibiboreza.

Abashingamateka n'Abakenguzamateka barashikirije kandi icipfuzo c'uko amakambi y'abateshejwe izabo yokurwaho burundu kuko bene ayo matongo aho ayo makambi yubatswe bafise imyidogo myinshi ubona ko ababa muri ayo makambi bagira uburenganzira ku matongo abiri , iry'iyo baje bava n'iryo mw'ikambi. Abo baserukira abenegihugu barasavye leta ko yohagurukira biboneka inzoga zibujijwe n'amategeko. Bemeje ko abajejwe umutekano bamwe baba bazi aho izo nzoga zihingurirwa ariko bakigira nk'abatabizi kumbure kuko bapfumbatishijwe canke kuko nabo nyene harimwo abazihereza. Abo banywa izo nzoga rimwe na rimwe ntibasonera n'amatongo y'abapfuye gushika naho bamwe, mukwihisha abajejwe umutekano, bajana imibindi y'izo nzoga ku nderuzo nk'abagiye gufuba uwabo bashika mu kaburi bakihereza za nzoga.

**Providence NIKIZA**

# Icegera ca Kabiri c'Umukuru w 'Igihugu yarashikirije icegeranyo c'ivyaranguwe na Leta mu gisata c'ubutunzi n 'imibano mu gice kigira kabiri c'umwaka wa 2016

Ku musi wa kabiri igenekerezo rya 14 Ntwarante 2017, Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Igihugu, imbere y'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka zikoranye, yarashikirije ivyaranguwe na Leta mu gisata c'ubutunzi n'imibano mu gice ca kabiri c'umwaka wa 2016.



Kwisunga imigambi ya Leta mu vyegeranyo bizokwirikira, nivyo Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka zari zasavye navyo bikaba vyarubahirijwe n'ibiro vy'Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Igihugu. Abashingamateka n'Abakenguzamateka bakaba barabishimye cane. Uravye uko ico cegeranyo cakozwe, kirerekana neza ibikorwa Leta yaranguye, ivyari vyategekijwe mu mwaka n'uburyo bizotwara n'ivyaranguwe mu gice kigira kabiri c'umwaka wa2016, igitigiri cavyo n'uburyo vyatwaye. Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Igihugu yaramenyesheje ko ivyashoboye kurangurwa vyose mu mwaka wa 2016 vyafashijwe ahanini n'amikoro y'igihugu ubwaco hamwe n'intererano z'ubuhinga n'imfashanyo zatanzwe n'ibihugu bimwe bimwe vyagumye bifashe mu mugongo Uburundi.

Intumbero ya mbere mu vyo gutunganya uburyo bwa Leta ni ugushigikira ugukorera mu muco ivyo navyo bikaba ubwa mbere bishigikirwa n'ugukoresha ubuhinga bwa none mw'itunganywa ry'uburyo. Amafaranga y 'amarundi angana n'umuriyaridi ni yo yari yategekanirijwe ico gikorwa


Ibindi vyaranguwe mu gice ca kabiri c'umwaka wa 2016 ni umugambi wo guteza imbere kubungabunga no gukurikirana uburyo bwinjira buvuye mu gihugu hagati, inganda zishika kuri zibiri zo kugerageza no kwemeza uwo mugambi mu mezi ya Myandagaro na Nyakanga 2016 bikaba vyarakozwe i Bujumbura, igikorwa co kwegeranya ibiharuro kikaba ari co kiriko kiraranguwa imbere yuko ubwo buhinga butangura gukora ku mugaragaro. Ivyo bikaba bimaze kuja mu ngiro ku bice 50 kw'ijana mu gihe ata buryo vyatwaye bivanye nuko kurekura uburyo biba ubwo buhinga bumaze gutangura gukora, ivyo navyo bikaba bishoboka ubwo buhinga bumaze kwemezwa.

«*Gushira imbere ibidandazwa bihinguwe bishobora guhingurwa mu gihugu*», iryo niryo hangiro rigira gatatu ry'Ubushikiranganji bw'uburimyi n'ubworozi ivyo navyo bikaba bibonekera ubwa mbere mu gushigikira amashirahamwe y'abarimyi mu gushiraho ubuhinga bwo guhingura umutobe w'inanasi ku buryo bungana n'amafaranga imiriyoni cumi y 'amarundi yategekanijwe mu mwaka yo gufasha amahinguriro abiri akora umutobe w'inanasi.Mu mwaka w'2016, amahinguriro abiri(CIYA na MURWI) akaba yarashizweho agakora, umwimbu ukaba ungana n'ibice 100%(ayo mahinguriro akaba yashigikiwe na PNUD, uburyo bahawe bwafashije mu kwubaka amahinguriro n'ugukarihiriza ubwenge abazokoresha ibikoresho vyayo).

Abashingamateka n'Abakenguzamateka barashikirije amakenga yabo ku vyerekeye ikiyaya c'imbo kizwi ko cimbuka ariko hakaba ari ho hasigaye hubakwa amazu. Baboneraho n'akaryo ko guhanura Leta guhagarika gutanga impapuro z'amatongo muri ico kibanza, kiretse ku mashirahamwe yanonosoye ivyo kwubaka bagategerezwa kwubaka baja hejuru.

Ngo harakwiye kandi kubaho itunganywa rishasha ry'ivyerekeye uburaro kugira ngo abakozi babayabaye bashobore kuronka amazu yabo bwite.

Mu nyuma y'ivyo barashikirije ko ibice 90% vy'abarundi babeshejweho n'uburimyi ariko ibiterwa






mbumbarugo bikaba bititaweho. Barongeyeko kandi ko hari hakwiye kwiyumvirwa icosubirira amakara yo gucana cane cane mu gisagara ca Bujumbura. Ku bwabo, Leta ibwirizwa kubandanya umugambi wo gutera ibiti kuko biboneka yuko kubangamira ibidukikije biri ku rugero ruteye ubwoba, ivyo bigatuma mu gihe gitoya kiri imbere ingaruka mbi zizokwigaragaza ndetse ku bwa bamwe zikaba zimaze kwigaragaza mw'ihindagurika ry'ibihe riboneka.

Ku kibazo c'uko isukari yabaye akananirabahinga kandi isanzwe ihingurirwa mu gihugu, Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Igihugu yavuze ko hakwiye kubanza kubaho amatohoza akwiye mw'ishirahamwe SOSUMO imbere yuko umuntu ashikiriza ibi canke biriya.

Ubushikiranganji 12 ni bwo bukukira ibiro vy'Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Igihugu nabwo bukaba ari ubw'uburimyi n'ubworozi; ubw'ubutunzi no gushira amashirahamwe ya Leta mu minwe y'abikorera utwabo. Ubushikirangaji bw'amagara y'abantu no kurwanya SIDA, ubushikiranganji bw'indero, amashure yisumbuye n'inyigisho za kaminuza kuri ubwo hakiyongerako ubw'amazi, ibidukikije, gutunganya isi no gutunganya ibisagara, ubw'ubudandaji, amahinguriro n'ingenzi; ubw'amasoko ntanganguvu n'ubutare; Ubw'iterambere ry'amakomine; ubwo gutwara abantu n'ibintu, ibikorwa vya Leta; ubw'agateka ka zina muntu ,imibano n'igitsina hamwe n'ubw'ubw'urwaruka inkino n'imico kama.

**Christine NAHIMANA**


# INAMA NSHINGAMATEKA

**UMUKURU W' IYANDIKIRO**
**Providence NIKIZA**

**ABANDITSI**
**Florine MUKESHIMANA**
**Arlette AKIMANA**
**Pétronie BUCUMI**
**Gabby BUGAGA**
**Christine NAHIMANA**

**AMASANAMU**
**Richard NDAYISENGA**



**Palais des Congrès de Kigobe**
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07